# Burya ukwisonera, kuri mu bigize ukwemera kw'umuntu

Mu vyakiriwe na Abdullahi mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi), yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yigeze kwumva umugabo ariko arahanura mwenewabo ku bijanye n'ukwisonera, ko adakwiye kwama yagize isoni imbere y'abantu, aca avuga ati: "Burya ukwisonera, kuri mu bigize ukwemera kw'umuntu".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yarumvise umugabo ariko ahanura mwenewabo ko areka kwama yagize isoni mu bantu!, aca aramutomorera ko burya umuntu kugira isoni, biri mu bigize ukwemera kwiwe, n'uko ukugira isoni igihe cose bizana ivyiza. Burya umuntu kugira isoni, ni ingeso nziza imutuma akora ivyiza akareka no gukora ibibi.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee